1

1. Imana Se w'umukama wacu ni ininahazwe imyaka yose yoyo yagiriye ubuntu Uburundi n'abarundi tugasubira mu nzira yo gusubiza hamwe n'ukwubaka igihugu cacu.

2. Kw'Izina rya Reta y'Uburundi no kw'Izina ry'Abarundi bose, kw'Izina ryanje no kw'Izina ry'Abatumire batewe Iteka kuri uno Musi udasanzwe, munkundire mbanze gushimira Imana Mushoboravyose yo idahengeshanya gukorera ivyiza Uburundi n'Ababarundi.

3. Iyo Mana y'Uburundi twama tuvuga twongera tuvumereza, ni Imana basokuruza biboneye imbere y'umuzo w'amadini n'amashengero. Natwe ubwacu ntihengeshanya kutwiyereka, kanatsinda n'uno musi iratwiyeretse ibicishije mu kutugabira abandi baherezankunka.

4. Urukundo Imana yakunze Uburundi n'Abarundi kuva kera na rindi ata n'imyaka iravugwa, ni rwo rwatumye Abarundi twegurira Imana Uburundi bwacu, tuyiha Ikibanza ca mbere muri vyose na hose.
Kandi turazi neza ko uwuyiyegetseko itamutetereza. Nico gituma twese dufise agahimbare kuri uyu musi.

Banyakwubahwa mwese, Batumire bahire;

5. Ndashimiye Ekleziya Katorika ishashe i Gitega yashimye kudutumira ngo dusangire bino vyiza. Igihe cose havutse umuntu, ni akanyamuneza mu muryango. Iyo umwana w'umuntu akuze naho ngo ashike mu bigero Imana yamugeneye birahimbara cane. Biraduhimbara cane cane iyo umuntu yatiwe mw'ibanga ribangirwa ingata nk'Ubusaseredoti, ibanga ryo guhuza abantu n'Imana. Erega iri banga ryo kwubakana na Kristu ni katabona bose kuko rishikirwa na bake.

6. None rero twashaka imbere ya vyose gukeza iyi mikangara yafashe urugendo rwo kwihebera Imana, bakagenda imyaka n'imyaka none uno musi batokeje ikivi. Ni bahimbarwe bazi ko natwe duhimbaranye na bo.

7. Jewe ubwanje ndemera kandi nkemanga ko Umuherezankuka ari Ingabirano idasanzwe Imana iha abikunda bakayikundira. Kukaba nkako, ivuka ry'ikibondo riratera akanyamuneza kenshi mu muryango. Kwunguka umuvyeyi navyo bikaza birushiriza; ni iteka rihambaye, ni amata avyaye amavuta.

8. Mu nsiguro y'ibisomwa vy'uno musi, twiyumviye ico Umuherezankuka ahamagariwe gukora. Nashaka rero no gukeza bimwe bivuye ku mutima Diyoseze Nkuru ya Gitega yagabanye abasaserdoti n'ibisongerezi vyabo bagiye gufasha « ***kumenyesha Inkuru nziza aboro, kwunga imitima yavunitse, kumenyesha ababoshwe ko babohowe, abahumye ko bahumutse, abacinyijwe ko babohowe, no kumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama*** », muri Diyoseze ya Gitega, mu Burundi no kw'isi yose.

9. Turakeje abarongoye iyi Diyoseze, cane cane kuko ibi vyiza bisanze muriko murahimbaza isabukuru y'imyaka 60 Diyoseze Gitega imaze yigisha Ijambo ry'Imana yahawe na Yezu-Kristu, Inkuru Nziza y'Amahoro, y'Urukundo, y'Ikigongwe, y'Ukurekuriranira no Gusubiza hamwe. Twaje kubafasha gukenguruka, ntimwotamba mwirorera mu gihe tuzi ko mudahengeshanya gukora ibikora inka.

10. Munkundire rero, nka Sebarundi, iruhande yo kugaragaza akanyamuneza, nshikirize ikiri ku mutima Abaherezankuka bashasha, Abakristu bose n'Abungere b'Ekleziya y'Uburundi.

11. **Baherezankuka muhejeje kwatirwa,** dabakeje mu mabanga mashasha ahambaye muhejeje kwemanga no kugabana. Mwatiwe mu busaseredoti, nanje maze imisi 16 natiwe mw'Ibanga ryo kurongora Igihugu. Murumva ko dusangiye ingovyi naho tudasangiye ibanga ; kuko dusa n'abashikiye rimwe mu murima w'Imana, mwebwe muzanywe no kumenyesha Inkuru nziza aboro, nanje naje gufasha aboro kuva mu bukene.

12. Ubwo butumwa bwanyu na nje, ni ubutumwa bw'Imana, ni magiriranire, kuko mu gihe muzorazwa ishinga n'ukurondera gukiza imitima y'abantu ngo baronke ubuzima budahera mw'Ijuru, nanje nzokwitwararika ko Abarundi babaho neza bagire amahoro n'umutekano, bafise ivyo barya n'aho baryama, bafise amagara meza, bashobora kwiga bagaca ubwenge, bashobora gutunga kandi bagatunganirwa, bakagira Iteka n'Itekane. Erega na mwebwe, ubwo butumwa ntimwobushobora mudafunguye kuko hakora mu nda.

13. Umwe wese akoze ivyo ajejwe, tuzohurira ku kintu kimwe kandi gikuru : Ineza y'Umuntu. Umuntu nawe nk'uko Yezu-Kristu yabivuze, ntabeshwaho n'indya gusa arabeshwaho kandi n'ijambo ry'Imana nkuko tubisoma muri mu Nkuru nziza, muri Matayo 4, 4.

Ni co gituma abeshi muri twebwe mukuza ngaha, tutaje kuraba ibirori no kuzimanwa, twaje nyabuna kwumviriza Ijambo ry'Ubuzima.

14. Si ivyo ndabigisha, mwarabisiguriwe bikwiye mu nyigisho mwahawe n'umuvyeyi wacu muri Ekleziya. Umuntu kugira ngo ashike mu bigero Imana yamugeneye yongere abeho gushika mu zabukuru, akenera gutera imbere wese, ku mubiri, ku mutima, mu bwenge, mu gushaka, mu mico n'imigenzo, mu bimuruhurira umutwe no mu butunzi. Sinobivugako vyinshi, mwebwe mwaravyisomeye mu Nyandiko za Papa Pawulo wa 6 ***Populorum Progressio (1967).***

15. Turashima cane ingene Ekleziya Katorika yavyitwararitse cane mu kwubaka amashure, amavuriro, no mu gutunganya ibikorwa bitandukanye vy'iterambere irangura biciye mu bisata bijejwe Iterambere bikukira amadiyoseze. Ukwo kwitwararika guteza imbere umuntu uko ari n'uko ameze, ni co ndabahamagarira nk'Umukuru w'Igihugu, ngo tubandanye dufashanya mu kugirira neza Umuntu.

16. Twipfuza ko ama paruwasi yoba amayogi y'iterambere ry'abanegihugu. Tugira Imana, abaherezankuka ni incabwenge, kandi barazi ko Imana ibahamagarira gutagatifuza no guteza imbere Igihugu c'Imana. Turabasavye rero mukoreshe ububasha mufise ku beneparuwasi mu kubigisha ibibateza imbere, na cane cane ko bateye imbere n'ama Paruwasi ahatorera akoyoko kuko **"Umuhinga wo kubitanga ni uwuba abisanganywe" .**

17. Twabonye ko ata mafeza canke impamba babatekereye, ariko babahuye mu murima w'Imana. Aho mugiye, nanje nagira ndabagabishe; muzohasanga ababasaba amasakaramentu, ariko n'ababasaba amasaka bazoba beshi kurusha. None rero ni muze mufise ingoga zo gukora vyose kumwe kwa Paul Mweranda kandi mutwigishe nka we aho yavuga ati:

" ***Turabategetse benewacu, kw'izina ry'umukama wacu Yezu Kristu, ni muhunge uwo muvukana wese yishinga kurera amaboko kandi ntakurikize ivyo twabigishije. Nakare murazi neza ukuntu mwotwigana, kuko tutareze amaboko iwanyu; kandi ata we twaririye ivya gusa, ariko twama dukora ijoro n'umutaga, tugacumukura, kandi tukaruha kugira ntihagire uwo tugora muri mwebwe". (Ikete rya 2 ryandikiwe abanya-Tessalonika, 3:6-8)***

18. Kaze rero, natwe dusangire Ubutumwa bwo kwigisha Abarundi gukunda Imana n'Igihugu cabibarutse, tuzamure ubutunzi bw'igihugu. Dusenyere ku mugozi umwe, twuzuzanye, mutubere Imboneza mu vyanyu, tubabere Imboneza mu vyacu, na kare ngo : **«Umwe yifasha gusara ntiyifasha gusaba »**, kandi ngo : **« Tubiri tuvurana ubupfu».**

19. **Bakristu ba Diyoseze Gitega na mwe Bashitsi bahire,** Uburundi ni igihugu camenye Imana kuva kera cane. Abarundi bamye bazi ko Imana ari Rurema, Umutabazi, Umuhānyi, Imana itanga inka n'ibibondo. Barubahiriza amabwirizwa ya Musa ata n'uwurayabigisha, kuko barasenga, bakubaha inzego bahereye ku bavyeyi, kandi barasonera agateka ka muntu. Aho abamenyeshamana b'i Buraya baziye kutwigisha, Yezu yasanze mu mitima y'Abarundi hashashe ngo hamwakire.

20. Ariko rero muri iki gihe turabona ko mu bakristu b'aba Katorika, canke no muyandi madini, hariho abasenga bagaherayo, abasenga bahumirije kugira ngo ntibabone ibiriko bibera iruhande yabo. Senge, sabire Uburundi, ariko mugume mukanuye. Hariho abasenga bahanga amaso ikirere gushika naho bibagira ko bagihagaze kw'isi n'ibirenge vyabo. Erega « ***Umutima uri ingoga ariko umubiri wo ni ntamagara*** ». Uyu mubiri wacu nyabworo rero, turakeneye kuwubungabunga. Kandi nta gicumuro kirimwo umuntu afatanije **Gusenga no gukora, guhanga amaso Yezu no kwitwararika ibidukikije n'iterambere ry'Ubuzima bwanyu.**

21. Erega ni vyo na Pawulo Mweranda yigisha. Mw'Ibaruwa yandikiye ab'i Tesaronika ni we yavuze ati « ***Uwudashaka gukora areke no kurya » (Ikete rya 2 ryandikiwe abanya-Tessalonika, 3,10).*** Ndemeza ntahigimanga ko igihe Abakatorika b'i Burundi bishizemwo gukoresha inguvu, ubwenge n'ubuhinga Imana yabahaye, maze Abasaseredoti bakabahimiriza ku bikorwa nk'uko babahimiriza kuronka amasakaramentu no gukora ubutumwa bw'Ekleziya, nta gihugu na kimwe kizonganya n'Uburundi kwimbura.

22. **Banyakwubahwa Murongoye Umuryango w'Ekleziya**, Reta twaraye dushinze twayitaziriye **Reta Nkozi, Reta Mvyeyi**. Tugiye gukora ibikorwa vy'iterambere kandi abo tuzobikorana ni aba bantu nyene dusangiye. Turabatumiriye gutumbereza imigambi yanyu y'iterambere mu ntumbero yo kuzamura ubutunzi bw'igihugu. Si ivyo mwigishwa, mwarerekanye kenshi ko mushatse kuduza ikivi c'iterambere muduza igifadika.

23. Yezu yarakunda gusaba abigishwa biwe gusoma neza ibimenyetso vy'ibihe. Intambamyi twagiye turagira muri kahise, ni ukudatahura ibihe Uburundi burimwo, maze umuntu agashikiriza ivyiyumviro ku gihugu ukwo abibona, nayo abenegihugu dusangiye bakajuragirika. Mwarahawe ububasha bwo kwigishiriza ku mugaragaro no kuvuga ata nkomanzi ikiri ku mutima. Ariko ubwo bubasha buguma bufise aho bugarukira, kuko Uwuri ku mucamo ntashobora kubona ivyo Uwuri kw'itaba ry'Umusozi abona.

24. Turi mu Burundi, dukorere Imana mu Burundi, nk'Abarundi b'iki gihe. Ikibi tucamirire kure twese, iciza tugisasire indava twese. Kurya Abajejwe Intwaro bafashije Ekleziya Katorika, kugwanya akaguma ka Zebiya, ni kube ari kwo na Ekleziya ibigenza mu kwamirira kure ico cose gihungabanya umutekano w'Igihugu c'Imana.

25. Ibihe turimwo ni ibihe vyo kwiyumva nk'abarundi bamenye Kristu. Ibihe turimwo ni ibihe Abarundi bamenye Imana kandi bakayiha ikibanza ca mbere. Ibihe turimwo ni ibihe vyo kugenzwa n'Imana, aho kugenzwa n'ivyiyumviro vy'abanyabwenge batazi iyo tuva, aho tugeze n'iyo turoye. Ibihe turimwo ni ibihe Uburundi bugiye kubera umuco amakungu no gutabara ibindi bihugu. Ibihe turimwo ni ibihe vyo kwibohora imigozi ya sekibi yaboshe Uburundi imyaka irenga ijana. Udatahura ibihe turimwo, uraheza ukabaza, ugashikiriza iciyumviro mu bwitonzi, udakamiye mu coze ba sesankuyoze.

26. Ni ibisanzwe ko habaho abasharikwa n'uko dufise amahoro mu gihe hari abandi bayabuze, dufashanye tubasengere, twongere tubajijure, bazoteba bahure n'Imana nka kumwe yahura na Sawuri (Paul) agana i Damasi ikamubaza iti**: "Umpamira iki"**. Kuva uwo musi bazoca bateshwa bate!

27. Dufashe kuremesha Abarundi, mubibutse kenshi ko Abungere bababoneye izuba beguriye Uburundi Imana ku wa 15 Myandagaro 1961, ko kandi Abarundi ubwabo biyemeje gushira Imana imbere muri Rusama 2018. Maze tureme, twumve Ijwi ry'Imana ridahengeshanya kutubgira riti: **"Humura, ntugire ubwoba, kuko ndi kumwe nawe"** kumwe yabibwira Yosuwa, Musa amaze kurengana**.** Reka rero twishime kandi twishimirize, kuko **"Ntawukubitira imbwa mu maguru ya sebuja".**

28. Nkuko twavyumvise mu bisomwa vy'uno musi, Yezu-Kristu ni we aganza Abami bo kw'isi. Nk'Umukuru w'Igihugu, ndemeye kuganzwa na Yezu-Kristu, we mwana w'Imana twahaye ikibanza cambere. Ngiye kurongora Uburundi ndabwerekeza Imana, uwudatahuye iki canke kiriya, azoze mu bwitonzi tubiganire azogenda anyuzwe.

29. Imbere yo gusozera, turabararitse mwese mw'isekeza **«Ndakira, sinandura, kandi sinanduza»**, isekeza ryo kurandurana n'imizi ikiza-karanda korona. Gukaraba kenshi n'isabuni mubigire akamenyero, kandi mukurikize impanuro n'inyigisho

z’ubushikiranganji bujejwe amagara y’abantu. Tuviriye hasi rimwe, tukiha ihangiro ryo gututuza ico kiza, birashoboka.

30. Dusozereye dusubira gushimira Imana, dushimira Ekereziya Katorika ku vyiza vyinshi yakoreye Uburundi, dushimira Diyoseze ya Gitega ku butumire, twongera tumenyesha Abaherezankuka bashasha ko turi kumwe na bo, haba mu bikorwa vy’Imana, mu migambi myiza yo kuremesha abemera no guteza imbere igihugu cacu n’abakibamwo bose.

Imana ihezagire aba baherezankunka bashasha n’abababoneye izuba!
Imana ihezagire Umuryango w’Abakritsu!

Imana ininahazwe mu Burundi, mu bantu Imana ikunda bakayikundira!
Murakoze!